KINGDOM LIFE COMMUNITY

Uruhara rwa Isaka na Ishimayeli uno musi mw'Ishengero

Impwemu zibiri zinigana mw'Ishengero ry'uno musi



Pasteur NDAYISENGA Wenceslas

Tel: +257 79 93 89 21
ou +257 79988236

Email:
wenceslas304@gmail.com

Site Web:
https://bujumbura.bi/

© 2026 Pasteur NDAYISENGA Wenceslas. Uburenganzira bwose burazigamwe. Nta gice c'iki gitabo gishobora gusubirwamwo hatabanje uruhusha rw'umwanditsi, kiretse amajambo make akoreshejwe mu nyigisho canke mu kwigisha, haciye havugwa aho yavuye.

Imirongo ya Bibiliya ishingiye kuri Bibiliya Yera mu Kirundi. Amajambo y'abandi banditsi yasubiwemwo mu Kirundi mu ncamake; aho yavuye harerekanwa ku mpera y'igitabo.

NDAGITUYE

Igitabu ndagituye abarongozi bose b'amashengero mu Burundi n'abandi bose bafise umutima wo kwirukana incoreke Hagari, umwana wayo Ishimayeli.

Ugushimira

Ndashimira mbere na mbere Imana Data, Umwami wacu Yesu Kristo na Mpwemu Yera, kubera ubuzima, umuhamagaro n'ubwenge bwampaye ubushobozi bwo kwandika ibi bitabo.

Ndashimira umuryango wanje, HABONIMANA Evelyne n'ibibondo, kubera ukwihangana, amasengesho n'ugushigikira kwabo; abagenzi banje bo muri Kingdom Life Community.

Ndashimira abarongozi twagendanye mu myaka myinshi: ibibazo vyanyu, amasengesho yanyu n'umwete wanyu ni vyo vyatumye ibi bitabo bivuka.

Pasteur NDAYISENGA Wenceslas

I B I R I M W O

Ijambo ry'ibanze 1
Intangamarara: Abana babiri mu nzu imwe 3
Munsi y'inyenyeri 5
Hagari 8
Indogoba y'ishamba 11
Icompa Ishimayeli agakomera 15
Ku musozi wa Moriya 19
Irukana incoreke 23
Ijambo ryo gusozera: Ubusho buto 27
Abanditsi bisunzwe 30
Ivyerekeye umwanditsi 32

◆

Ijambo ry'ibanze

Bavandimwe, ncuti zakadasohoka muri Kristo, amahoro y'Imana abe muri mwebwe.

Iki gitabo cavutse mu nyigisho natanze mw'ishengero, nyigisho yari ifise umutwe ugira uti: "Uruhara rwa Isaka na Ishimayeli uno musi mw'Ishengero." Igihe nayitegura, nasanze ko iyo nkuru ya kera itavuga gusa ivyabaye mu muryango wa Aburahamu. Ivuga ivyo turiko turabona mu mashengero yacu uno musi.

Amashengero yaruzuye. Indirimbo zirumvikana gushika mu gicugu. Amasinzi y'abantu bariko barakimbukira kwitwa abana b'Imana. Ariko hari ikibazo kimwe ntashobora guceceka: abo bose bavyawe n'iki? Bavyawe n'isezerano ry'Imana, canke bavyawe n'ubwenge bw'abantu?

Kuvuga ko turi abana b'Imana ntibihagije. Kumenya inyigisho nziza na vyo ntibihagije. Harakenewe uguhitamwo kuba abana bavyawe n'umugore w'isezerano. Ico ni co kintu gihambaye kuruta kumara umwanya tuvuga ko tuzoja mw'ijuru.

Sinanditse iki gitabo nk'umuhinga yiyumvira ko yatahuye vyose. Nacanditse nk'umusavyi w'Imana yabonye Ishimayeli mu mutima wiwe bwite, akamwirukana yisunze ubuntu bw'Imana. Ndagusavye ugisome buhorobuhoro, usenga. Ntikizokwereka gusa abandi. Kizokwereka wewe.

Mu kugitegura, nisunze kandi ivyo abasavyi b'Imana ba kera n'ab'iki gihe banditse kuri iyi nkuru: Agustino w'i Hipone, Martin Luther, Søren Kierkegaard, Andrew Murray, A. W. Tozer, Dietrich Bonhoeffer na Watchman Nee. Si jewe wa mbere yabonye ubu bukuru. Ni ukuri kwamye kuri mw'Ishengero, kandi ndashaka ko nawe ukwakira.

Pasteur NDAYISENGA Wenceslas

◆

Intangamarara: Abana babiri mu nzu imwe

IYUMVIRE INZU IMWE. Muri iyo nzu harimwo abana babiri. Bafise se umwe. Basangira ku mu behe umwe. Bitwa izina rimwe ry'umuryango. Uwubaraba ari kure ntiyomenya ko hari ico batandukaniyeko.

Ariko umwe yavutse kw'isezerano ry'Imana, uwundi avuka ku nama y'umuntu. Umwe yavutse mu kwizera, uwundi avuka mu kwihuta. Umwe yitwa Isaka. Uwundi yitwa Ishimayeli.

Intumwa Paulo, igihe yandikira ab'i Galatiya, yaravuze ko iyo nkuru ari "akarorero" (Ab'i Galatiya 4:24). Ntiyari gusa amakuru adonda kahise k'umuryango umwe. Yari ishusho y'imitima ibiri, y'inzira zibiri, y'impwemu zibiri zizokwama zinigana mu bantu b'Imana gushika ku musi wa nyuma.

“Isi yose yuzuyemwo abiyita abana b'Imana. Ariko bose si abaraganwa na Kristo. Kuba twarizeye Kristo biduha uburenganzira bwo kuronka, ariko ntibisigura ko tumaze kubihabwa.”

Iki gitabo kizogendana nawe mu nzira y'Aburahamu, intambwe ku yindi: munsi y'inyenyeri, mw'ihema rya Hagari, mu bugaragwa bw'indogoba y'ishamba, imbere y'Imana iriko irahindura amazina, ku musozi wa Moriya, gushika mu

kwirukana incoreke. Kuri iyo nzira yose, ikibazo kimwe kizogukurikira: Wewe uri Isaka canke uri Ishimayeli?

Ikibazo nyamukuru si "Uja mu rusengero?" Ikibazo nyamukuru ni "Wavyawe n'iki?"

IKIGABANE CA 1

1

Munsi y'inyenyeri

Isezerano ritangura igikorwa c'Imana

———

"Hari uwabaye bigurintege kubera yategereje ibishoboka; uwundi aba bigurintege kubera yategereje ivy'ibihe bidashira. Ariko uwategereje ibidashoboka yarabarengeye bose."

ABURAMU YARI UMUTAMA. Yari atunze amatungo, abasavyi n'izina ryiza mu bantu. Ariko mu mutima wiwe hari icuho kimwe kitamuha amahoro: nta mwana yari afise. Ibitungwa vyiwe vyose vyari bigiye kuragwa n'umusavyi wo mu rugo.

Mw'ijoro rimwe, ijambo ry'Uhoraho ryaramugendeye.

> *Aburamu, nta co utinya: ni jewe nkinzo yawe, uzohabwa impera ikomeye cane.*
>
> ITANGURIRO 15:1

Aburamu ntiyaciye yishima. Yaciye avuga ico umutima wiwe wari wikoreye: "Uzompa iki, ko ngiye gupfa ata kana nsize?" Uyo ni wo mutima w'umuntu. Imana ivuga "impera ikomeye", umuntu agaca araba ivyo afise mu maboko, akabona ko bidashika.

Imana ntiyamwishuye mu nyigisho ndende. Yaramufashe imusohokana hanze y'ihema.

> *Amusohokana hanze, aramubwira, ati Rangamiza,*
> *urabe mw'ijuru, uharure inyenyeri, namba woshobora*
> *kuziharura. At' Uruvyaro rwawe ni ko ruzongana.*
> *Yizera Uhoraho, Uhoraho abimuharurako*
> *nk'ukugororoka.*
>
> ITANGURIRO 15:5-6

Rimbura neza ico Imana yakoze. Ntiyabanje guhindura ivyo Aburamu yari afise. Yabanje guhindura ivyo yariko araba. Mw'ihema, Aburamu yabona igisenge gusa. Hanze, yabonye ijuru. Mw'ihema yabona ingorane ziwe. Hanze yabonye isezerano.

Abizera benshi bamara ubuzima bwabo bwose mw'ihema ry'ingorane zabo. Barasenga, ariko amaso yabo ari ku gisenge. Imana irashaka kubasohokana hanze.

◆ ◆ ◆

Umufilozofe w'Umudanwa Søren Kierkegaard, mu gitabo yanditse kuri Aburahamu, yamwise "se w'ukwizera". Yavuze ko kugenda biguritenge kwiwe bitari mu vyo yari atunze, canke mu bwenge bwiwe, ariko mu kuba yaremeye kurindira igihe c'Imana ikintu kidashoboka ku muntu. Aburamu ntiyizeye ko azovyara kubera yabona ko umubiri wiwe ukibishoboye. Yizeye kubera Imana yavuze.

Ni co gituma umwanditsi w'icete ry'Abaheburayo yanditse ati: "Ukwizera kwatumye Aburahamu yumvira... ataramenya iyo agiye" (Abaheburayo 11:8). Isezerano ry'Imana ntirisaba ko tubona inzira yose. Risaba ko twizera uwurivuze.

Ariko hano ni ho dutegerezwa kwitondera. Aburamu yarumvise isezerano. Yararyizeye. Imana yabimuharuye nk'ukugororoka. Ariko mu kigabane gikurikira, uyo muntu nyene azofata inzira itari iy'Imana.

“Kwumva isezerano ntabwo ari "garantie" yuko uzoshika ku kuganzanya na Kristo.”

Ishengero ryuzuye abantu bumvise ijambo. Imana irarondera abantu bategereza. Isezerano rivuka mw'ijambo ry'Imana, rigakura mu kwizera, rigashika mu kwihangana. Uwumva gusa, ntarindire igihe c’Imana, aba yateguye ivyumba vyo kwakira Hagari.

IBIBAZO VYO KUZIRIKANA

1. Ni isezerano irihe Imana yakubwiye ukaba ukiriraba n'amaso y'ihema ryawe?
2. Ni ibiki bigutera kuraba igisenge aho kuraba ijuru?
3. Ni igiki gitandukanya kwumva isezerano no kurigumamwo?

ISENGESHO

Mwami Uhoraho, nsohokana hanze y'ihema ry'ubwoba bwanje. Nyereka ijuru ryawe. Mfasha kwizera ijambo ryawe naho ntabona ingene rizoshika. Mw'izina rya Yesu, Amen.

IKIGABANE CA 2

2

Hagari

Inzira ngufi y'umubiri

———

“Kurindira igihe c’ Imana ni ukwemera, mu kwicisha bugufi, ko ata kintu na kimwe dushobora tutayifise.”

IMYAKA YARACIYE. INYENYERI zaguma ziri mw'ijuru, ariko mw'ihema rya Aburamu nta kana karira. Umunsi umwe, Sarayi yaraje afise iciyumviro. Casa n'ico mu bwenge. Casa n'inyishu.

> *Sarayi abwira Aburamu, ati Raba, Uhoraho yanyimye ivyara; enda vyara ku ncoreke yanje: kumbure nzoronkera akana kuri we. Nuko Aburamu yumvira Sarayi.*
>
> ITANGURIRO 16:2

Amajambo atatu arakwiye kudutera ubwoba: "Nuko Aburamu yumvira." Ntiyumviye Imana. Yumviye ijwi ry'urugo, ijwi ry'umuco w'ico gihe, ijwi ry'umunaniro.

Ico Sarayi yasavye nticari kigayitse mu maso y'abantu b'ico gihe. Umugore w'ingumba yashobora guha umugabo wiwe incoreke, umwana avutse akaba uwiwe. Vyari ivy'ubwenge. Vyari biri mu mategeko. Ariko ntivyari isezerano.

◆ ◆ ◆

Ivyo ni vyo bituma uruyeri rw'inzira ngufi rugira akaga. Ntiruza ruvuga ngo "reka Imana". Ruza ruvuga ngo "fasha Imana". Ntirukubwira ngo "ntiwizere". Rukubwira ngo "wizere, ariko wihute". Ntirwambaye ubugome. Rwambaye ubwenge.

“Igihe cose Imana isezeranye, turasabwa kwihangana. Tubwirizwa gucecekesha uruyeri rwongorera nk'ukuri, rugamije kuvukisha isezerano rukoresheje inzira z'inguvu zacu.”

Uno musi, urwo ruyeri ruracavuga. Rubwira umukozi w'Imana ruti: "Imana yakubwiye ko uzokora umurimo wayo. None ko udafise amahera, rondera abaguha imfashanyo, n'aho batubaha Imana." Rubwira umwigeme uti: "Imyaka iriko iraca. Emera gusa uwo ubonye." Rubwira umurongozi uti: "Ishengero ryawe ntirikura. Tangura kwigisha ivyo abantu bakunda kwumva."

Inama zose ziryoshe. Zose zisa n'izirimwo ubwenge. Ariko zose zivukisha Ishimayeli.

Andrew Murray, umusavyi w'Imana wo muri Afrika y'Epfo yanditse igitabo cose kivuga ku "kurindira igihe c’Imana", yigisha ko kurindira igihe c’Imana atari ukwicara ata co ukora. Ni ukwemera ko umurimo w'Imana ushobora gukorwa n'Imana yonyene.

Hagari avyarana na Aburamu umwana w'umuhungu... Aburamu yari amaze imyaka mirongwumunani n'itandatu.

ITANGURIRO 16:15-16

Rimbura ikintu kimwe gihambaye: Ishimayeli yarabayeho. Yaravutse. Yarakuze. Yari umwana nyakuri. Inzira y'umubiri irakora. Irashobora kuguha ishengero ryuzuye, inzu nziza, izina rinini. Ikibazo si "Biriko birakora?" Ikibazo ni "Ni nde yabivukishije?"

Ico umubiri wavukishije, umubiri ubwirizwa kukibungabunga. Ico Imana yavukishije, Imana ubwayo irakikomeza. Inzira ngufi y'Aburamu yamuhaye umunezero w'imyaka mike, ariko ingaruka zayo zimaze imyaka ibihumbi. Imana ntiyigera icererwa. Ni twebwe twihuta.

IBIBAZO VYO KUZIRIKANA

1. Hari "Hagari" uriko urakoresha uno musi kugira ngo ushitse isezerano ry'Imana mu nzira yawe?
2. Ni ijwi irihe ryumvikana cane mu vyemezo vyawe: ijwi ry'Imana canke ijwi ry'umunaniro?
3. Mu buzima bwawe, ni ibiki vyakoze ariko bitavukishijwe n'Imana?

ISENGESHO

Data, ndihana ku bihe vyose nagerageje kugufasha nkoresheje ubwenge bwanje. Mpa umutima wihangana. Ndashaka gusa ico wavukishije. Amen.

IKIGABANE CA 3

3

Indogoba y'ishamba

Ivyo umubiri uvyara

———

"Imana ntikenera ivyo twebwe twibikiye.
Ikenera ivyo yo ubwayo ikorera muri twebwe."

IMANA YARI YASEZERANIYE Aburamu umwana azoba umugisha ku mahanga yose: umwana wiyoroheje, umwana w'amahoro, umwana nk'intama. Ariko kubera Aburamu yakoresheje ubwenge bw'umubiri mu kugerageza gushitsa iryo sezerano, aho kuvyara intama yasezeranywe, yavyaye indogoba y'ishamba.

> *Mu bandi bantu azomera nk'indogoba y'inyeshamba, azohanga abantu bose, na we ahangwe na bose; azopfa aho yishingiye amahema yo gusita bene wabo bose.*
>
> ITANGURIRO 16:12

Uyu murongo ni nk'ifoto y'umutima. Indogoba y'ishamba ntishobora gutozwa. Ntiyemera umutwaro. Ntiyemera umukama. Igenda aho ishaka, igihe ishaka. Umutima wa Ishimayeli ni uwo nyene: arashaka Imana, ariko ntashaka umukama; arashaka umugisha, ariko ntashaka kwigishwa. Aririmba "Yesu ni Umwami", ariko mu buzima bwiwe ni we mwami.

"Azohanga abantu bose." Impwemu y'indogoba ifise igikorwa gikaze hagati mu bavukana. Ntibaturana mu mahoro. Bahora bahangana ku bw'umwanya, ku bw'icubahiro, ku bw'imbere y'ishengero.

"Azopfa aho yishingiye amahema yo gusita bene wabo bose." Ehe uko kutagira ubwoba! Ishimayeli ntiyubaka ihema ryiwe kure. Aryubaka imbere ya bene wabo. Ari mu muryango. Ari mw'ishengero. Ni co gituma ingorane nyinshi z'amashengero zidaturuka hanze. Zituruka mu nzu.

◆ ◆ ◆

Watchman Nee, umusavyi w'Imana w'Umushinwa yamaze imyaka mirongo ibiri mw'ibohero kubera ukwizera kwiwe, yarigishije cane kuri Aburahamu, Isaka na Yakobo. Yerekana ko Ishimayeli ari ishusho y'ivyo umuntu avyara mu nkomezi ziwe, naho Isaka ari ishusho y'ivyo Imana ivyara muri twe. Imana ntiyanka ibikorwa vyacu kubera ari bibi gusa. Iravyanka kubera ari ivyacu.

Paulo arabivuga mu majambo make: "Abari mu mubiri ntibashobora kunezereza Imana" (Abaroma 8:8). Ntibisigura ko bataja mu rusengero. Bisigura ko ivyo bakora vyose bivuye mw'isoko itari ry'Imana.

"Bavukanyi, urugendo rwo kugendana n'Imana
rudusaba gucira bugufi ijambo ryose rivuye mw'ijuru.
Bitabaye uko, tuzohegekera indogoba twibaza ko
dutwaye intama."

Imyaka cumi n'itatu ihaciye inyuma y'ivuka rya Ishimayeli, Bibiliya ntiyagira ico ivuga ku biganiro vy'Imana na Aburamu. Ni ukunuma kurekure. Hanyuma Imana iragaruka, ariko ntiyazanye isezerano gusa. Yazanye izina rishasha.

> *Ntucitwa Aburamu ukundi, ariko uzokwitwa Aburahamu; kuko nkugize sekuruza w'amahanga menshi.*
>
> ITANGURIRO 17:5

Imana ntiyashobora kuvukisha Isaka mw'izina rya kera. Izina rya kera ryari ryavukishije Ishimayeli. Imbere y'uko Isaka avuka, Imana yabanje guhindura abavyeyi biwe. Ntisuka vino nshasha mu mikuza ya kera.

Umwizera wese yakiriye Kristo arahabwa izina rishasha: ntakiri umuja, ni umwana; ntakiri umunyavyaha, ni umuragwa. Ariko izina rishasha rirasaba ubuzima bushasha. Umuntu ashobora kumara imyaka mirongo mu rusengero, akaririmba muri korari, akaba umukuru w'ishengero, kandi agifise umutima wa "Aburamu".

IBIBAZO VYO KUZIRIKANA

1. Mu buzima bwanje, hari ahantu ntemera umukama, ariko ngasaba umugisha?
2. Ni ibiki ndiko ndakora bivuye mu nkomezi zanje, atari mu Mana?
3. Ni ikihe kimenyetso ca "Aburamu" kikiri mu mutima wanje?

ISENGESHO

Mwami Yesu, ntureke ngo mbe indogoba itemera umutwaro wawe. Nkuramwo umutima wa kera, umpe izina rishasha n'ubuzima bushasha. Amen.

IKIGABANE CA 4

4

Icompa Ishimayeli agakomera

Umugisha si isezerano

———

“Ubuntu buhendutse ni ubuntu dutanga ubwacu: ukubabarirwa ata kwihana, ubatizwa ata gukurikira, kubana n’abandi ata kwatura, ubuntu butagira umusaraba.”

IMANA YARI IMAZE guhindura izina rya Aburahamu. Yari imaze kumubwira ko Sara azovyara. Twokwibaza ko Aburahamu yaciye avuza akamo k'umunezero. Ariko ivyabaye vyaratangaje.

> *Maze Aburahamu arapfukama, arunama aratwenga, yivuganiriza mu mutima, ati Mbega umwana yovyarwa n'umaze imyaka ijana?*
>
> ITANGURIRO 17:17

Raba ishusho. Yarapfukamye: ivyo bisa n'ugusenga. Yarunamye: ivyo bisa n'icubahiro. Ariko yaratwenze mu mutima. Umubiri wiwe wari mu gusenga, umutima wiwe wari mu gukengera. Naho yari yahinduriwe izina, yari agifise impwemu yo gukengera isezerano ry'Imana.

Hanyuma yaravuze isengesho rihishura umutima wiwe:

> *Aburahamu abwira Imana, ati Icompa Ishimayeli agakomera, akaba imbere y'inyonga zawe!*
>
> ITANGURIRO 17:18

Iryo ni ryo sengesho rya Ishimayeli. Si ribi mu majambo. Ni ribi mu ntumbero. Rivuga riti: "Mana, ntuzane ikintu gishasha. Kora gusa ku vyo nubatse." Amasengesho ya bene Ishimayeli atondeka imbere y'Imana ibiri kw'isi, akayita umugambi wavyawe n'ijuru.

◆ ◆ ◆

Inyishu y'Imana yarumvikana neza:

> *Kandi no ku vya Ishimayeli ndakwumviye: raba ndamuhaye umugisha... nzomuhindura ubwoko bukomeye. Ariko, isezerano ryanje nzorikomeza na Isaka.*
>
> ITANGURIRO 17:20-21

Ishimayeli yahawe umugisha, kurondoka, kugwira, abatware cumi na babiri n'ubwoko bukomeye. Ni ivyiza vyinshi. None ni iki atahawe? Isezerano. Kuba ufise umugisha si vyo bikugira umwana wa Isaka, kuko na Ishimayeli yari afise umugisha uva ku Mana.

UMUGISHA WA ISHIMAYELI	**ISEZERANO RYA ISAKA**
Ubunini n'ubwinshi	Ubuzima n'ubwami
Abatware cumi na babiri	Umwami w'abami avamwo
Ivyiza vy'isi	Umurage w'ijuru

UMUGISHA WA ISHIMAYELI	ISEZERANO RYA ISAKA
Bigarukira kw'isi	Ntibishira

Aha ni ho hari ikinyoma kinini c'iki gihe. Abantu benshi baza mu mashengero bitwararika amaronko y'isi. Agakiza kabo ni ubutunzi. Ubutumwa bwabo buvuga amazu, passport n'imodoka zigezweho. Baba bariko barashikana isezerano ryo gukomera kwa Ishimayeli, se wabo.

“Bafise ubwoba bwo kubura ivy'isi, none Imana bayihinduye umuzamu w'ivyabo.”

Mu mwaka wa 1937, mu gihe Ubudagi bwariko bwinjira mu mwiza, umupasitori ukiri muto yitwa Dietrich Bonhoeffer yaranditse igitabo cahinduye Ishengero. Yatandukanije "ubuntu buhendutse" n'"ubuntu buhenze". Ubuntu buhendutse ni Imana itanga ata co isaba: umugisha utagira umusaraba. Ubuntu buhenze ni ubuntu bwatuguze amaraso y'Umwana w'Imana, kandi buraduhamagara kumukurikira. Bonhoeffer ubwiwe yishwe mu 1945 kubera yanse kwunama imbere y'ikibi.

Ubutumwa bwa Ishimayeli ni ubutumwa bw'ubuntu buhendutse. Imana irashobora kuguha inzu, urugendo n'imodoka. Ariko nimba ivyo ari vyo vyonyene urondera, uba urondera umugisha wa Ishimayeli, si isezerano rya Isaka.

Iyi nkuru kandi ntiyigisha kwanka abandi bantu canke andi mahanga. Iratwigisha kwisuzuma ubwacu. Ishimayeli ni

impwemu ifatanye no gukunda ivy'isi, kandi ishobora gukorera mu mukristo. Ikibazo si ihanga. Ikibazo ni umutima.

IBIBAZO VYO KUZIRIKANA

1. Amasengesho yanje asaba ko ubugombe bw'Imana bushika, canke ko Ishimayeli wanje akomera?
2. Nimba Imana yankuyeko imigisha yose y'isi, noguma nyikurikira?
3. Ubutumwa numviriza buvuga umusaraba, canke buvuga amaronko gusa?

ISENGESHO

Mana, sinshaka umugisha wawe gusa. Ndagushaka wewe. Nshaka kuba mw'isezerano ryawe, n'igihe nta kintu ndonka. Nimba umbwiye "Oya", mfasha kubona impano yawe. Amen.

IKIGABANE CA 5

5

Ku musozi wa Moriya

Intama itiruka

———

“Iyo Kristo ahamagaye umuntu,
amuhamagarira kuza agapfa.”

ISAKA YARAVUTSE. YARAKUZE. Umunezero wa Aburahamu wari wuzuye. Hanyuma Imana iramubwira ijambo ridashobora kwumvikana:

> *Jana umwana wawe, umwana wawe w'ikinege, Isaka, uwo ukunda... umutange ngaho ngo abe ikimazi co kwoswa.*
>
> ITANGURIRO 22:2

Aburahamu yarazindutse kare. Yafashe inkwi, umuriro n'imbugita. Yuriye umusozi wa Moriya hamwe n'umwana wiwe. Igihe bari mu nzira, Isaka yarabajije ati: "Data, umuriro n'inkwi ndabibona, mugabo intama y'ikimazi iri hehe?" Aburahamu aramwishura ati: "Mwana wanje, Imana izokwitorera intama."

◆ ◆ ◆

Reka duhagarare umwanya muto. Isaka ntiyari umwana mutoyi. Yari umusore ashobora kwikorera inkwi z'ikimazi zose.

Aburahamu yari umutama w'imyaka irenga ijana. Iyo Isaka yashaka kwiruka, nta wari kumufata.

Ni nde yomenya ko ata kimazi bafise, bagiye gutanga ikimazi, ntiyiruke? Ni nde yofatwa n'umutama w'imyaka ijana, akamubohera ku gicaniro, ntiyiruke?

"Ni nde yobona babanguye inkota, ntiyiruke? Ni Isaka, intama."

Ivyo bisigura ko Isaka ubwiwe yahuje umutima na se. Imbere y'uko Aburahamu amutanga ku kimazi, Isaka yari yamaze kwitanga.

Iyumvire none: iyo Aburahamu atumvira, akajana Ishimayeli ku musozi aho kujana Isaka, ni iki cobaye? Indogoba y'ishamba ntiyemera kubohwa. Ishimayeli yari gucumitira se ku gicaniro. Yari kurwana, akiruka, igicaniro kigahinduka ikibanza c'intambara. Ico ni co gitandukanya abana babiri: Ishimayeli arwanira ubuzima bwiwe. Isaka atanga ubuzima bwiwe. N'ibicaniro n'amashengero angana iki uno musi yahindutse ibibanza vy'intambara.

> *Maze Aburahamu yunamuye amaso, areraguza, inyuma yiwe ahabona impfizi y'intama ifashwe mu mahembe mu gisaka c'inzitane. Aburahamu aragenda, afata ino ntama, ayitanga ku kimazi co kwoswa mu gishingo c'umwana wiwe.*
>
> ITANGURIRO 22:13

◆ ◆ ◆

A. W. Tozer, umwe mu banditsi bakomeye b'Abanyamerika bo mu kinjana ca mirongo ibiri, yanditse ku vyabereye kuri Moriya mu gitabo ciwe "Kurondera Imana" (1948). Yerekana ko Imana itashaka kwica Isaka. Yashaka gukura Isaka mu ntebe y'umutima wa Aburahamu, kugira ngo Imana yonyene iyicareko. Aburahamu yamanutse umusozi afise vyose, ariko ata co agifashe mu maboko nk'ivyiwe. Kuri Tozer, iryo ni ryo "hirwe ry'ukutagira ico wigunganya".

Ni ko bimeze no ku bakozi b'Imana. Ingorane nyinshi z'abarongozi ziraboneka ku gicaniro. Dukorana na Ishimayeli, tukagendana na we, ariko igihe co kwitanga kigeze, ni ho tubona uwo ari we. Ntushobora kumenya Isaka na Ishimayeli mu gihe c'ibirori. Uzobamenya ku gicaniro.

Isaka yari igitutu c'ikintu kinini. Imyaka nk'ibihumbi bibiri hanyuma, ku musozi uri hafi y'uwo nyene, Umwana w'Imana yarikoreye igiti c'ikimazi ciwe. Ariko ico gihe nta ntama yafashwe mu gisaka. Ni we yari intama.

> *Nguyu Umwagazi w'intama w'Imana ukuraho icaha c'abari mw'isi.*
>
> YOHANA 1:29

Ku musozi wa Moriya, Imana yaravuze iti "Bihagarike." Ariko kuri Gologota, Imana ntiyabihagaritse, kubera urukundo yadukunze.

IBIBAZO VYO KUZIRIKANA

1. Iyo Imana insavye ikintu nkunda cane, mba nka Isaka canke nka Ishimayeli?

2. Ni nde canke ni iki cicaye mu ntebe y'umutima wanje aho Imana ikwiye kwicara?
3. Abo dukorana mu murimo w'Imana bemera kwitanga, canke barondera kwironderera?

ISENGESHO

Mwami, ndashaka umutima wa Isaka. Iyo umpamagaye ku gicaniro, simpunge. Ivyo nkunze kuruta vyose, ndabishize mu maboko yawe. Amen.

IKIGABANE CA 6

6

Irukana incoreke

Isaka na Ishimayeli mw'Ishengero ry'uno musi

———

"Uko vyamye, ni ko bizokwama: abana b'umubiri bazohama abana b'isezerano."

IMYAKA IBIHUMBI BIBIRI hanyuma ya Aburahamu, intumwa Paulo yandikiye amashengero y'i Galatiya. Abizera b'aho bari batanguye mu Mpwemu, ariko bariko barashaka kurangiriza mu mubiri. Paulo yaciye abibutsa inkuru y'abana babiri.

> *Ariko nk'uko ico gihe uwavyawe mu buryo bw'umubiri yahama uwavyawe mu buryo bwa Mpwemu, na none ni ko biri. Ivyanditswe bivuga iki? Biti Irukana incoreke n'umwana wayo, kuko umwana w'incoreke atazoraganwa n'umwana w'umugore bwite.*
>
> AB'I GALATIYA 4:29-30

"Na none ni ko biri." Paulo ntiyavuga ivya kera gusa. Yavuga ivya none. Ishimayeli ntashobora kuruhuka igihe Isaka ariho. Ubuzima bwa Isaka ni urubanza ku buzima bwiwe.

Martin Luther, igihe yasigura iri kete mu 1535, yari amaze kubona ivyo Paulo yavuga. Ku bwiwe, Hagari ni ishusho y'idini rishingiye ku bikorwa vy'umuntu, Sara akaba ishusho y'ubuntu bw'isezerano. Yabonye kandi ko abahama abizera b'ukuri batava

mu banka Imana, ariko bava mu bavuga ko ari abayo. Ni co gituma iyo utangura kugendana n'Imana nyakuri, abagutoteza ba mbere bava mu bo musangira intebe.

“Ni wabona wumvikana na Ishimayeli, ubwo na we uzoba uri Ishimayeli.”

◆ ◆ ◆

Yesu ubwiwe yarahuye n'iyo mpwemu. Muri Yohana igice ca munani, abantu bari mu rusengero bamwishura bati: "Turi uruvyaro rwa Aburahamu." Yesu arabishura ati:

> *Ukora icaha wese ni umuja w'icaha. Umuja ntiyama atsindaje mu nzu, ariko umwana we yama atsindaje.*
>
> YOHANA 8:34-35

Raba ingene Yesu akoresha amajambo y'inkuru yacu: umuja n'umwana. Hagari yari umuja, Isaka yari umwana, kandi umuja ntaguma mu nzu. Ico kiganiro carangiye nabi: "Baca batora amabuye yo kumutera" (Yohana 8:59). Abashaka kwica Yesu ntibari mu kabari. Bari mu rusengero.

Intumwa Yohana iraduha ikimenyetso kimwe gitandukanya abana babiri:

> *Iki ni co kimenyekanisha abana b'Imana n'abana b'Umurwanizi: udakora ibigororotse wese si uw'Imana, canke udakunda mwene Data wundi.*
>
> 1 YOHANA 3:10

Yohana ntiyavuze ngo "udasenga" canke "utaja mu rusengero". Yavuze ukugororoka n'urukundo. Ishimayeli ashobora gusenga

no kwigisha. Ariko ntashobora gukunda mwene se. Igikorwa ciwe ni ukumusita.

◆ ◆ ◆

None, kwirukana incoreke bisigura iki kuri twebwe? Si ukwanka abantu. Ni ukwanka impwemu. Ni ugufata ingingo y'uko inzira z'umubiri zitazoyobora umurimo wanje, y'uko irari ry'amahera ritazoba ari ryo rintuma, y'uko ishari n'intambara bitazoba mu nzu yanje, n'uko ijwi ry'ubwoba ritazosumba ijwi ry'Imana.

Ivyo ntivyoroshe. Aburahamu yarababaye cane igihe yasabwa kwirukana Ishimayeli (Itanguriro 21:11). Yari umwana wiwe, yari amaze imyaka myinshi amukunda. Ni ko bimeze kuri twebwe. Ishimayeli wacu ashobora kuba ari umugambi twakunze, ubucuti twubatse imyaka myinshi, canke ingeso yaduhaye ihumure. Ariko Imana ivuga iti: "Ntibazoraganwa."

Icanditswe nticavuga ngo "Rera incoreke neza." Kivuga ngo "Irukana incoreke."

IBIBAZO VYO KUZIRIKANA

1. Hari "Hagari" ntinya kwirukana kubera ndamukunda canke ndamwisunga?
2. Iyo numvise ijambo rinkosora, ndihana canke ndatora amabuye?
3. Mu bavukanyi banje, ndi uwubaka canke uwusita?

ISENGESHO

Data, mpa ubutwari bwo kwirukana ico wanse mu buzima bwanje. Sinshaka gusangira umurage wawe na Ishimayeli. Mpa

amatwi yumva ijambo ryawe n'umutima ukunda bene Data. Amen.

◆

Ijambo ryo gusozera: Ubusho buto

Umwana w'isezerano ntakunda kuba mu bantu benshi. Ishimayeli yaravutse imbere. Yarakuze imbere. Igihe Isaka yavuka, Ishimayeli yari amaze imyaka cumi n'ine, ari umusore. Isaka yasa n'uwasigaye inyuma.

Ariko Imana ntiharura abantu. Ipima imitima. Umuryango wa Yuda wari muto mu yindi, ariko ni wo wavuyemwo umwami. Betelehemu yari igisagara gito, ariko ni ho Umukiza yavukiye. Abigishwa cumi na babiri bari bake, ariko bahinduye isi.

> *Yemwe mwa busho buto, ntimutinye: kuko So bimuhimbara kubaha ubwami.*
>
> LUKA 12:32

Ishimayeli yaturutse ku vyifuzo vy'abantu; yerekana urugendo rw'ino kw'isi. Isaka yaturutse ku vyifuzo vy'ijuru; yerekana ubugombe bw'Imana bukorerwa ngaha kw'isi nk'uko bukorwa mw'ijuru. Bose bakomotse ku muntu umwe, Aburahamu. Ivyo bisigura ko impwemu zose zibiri zishobora gukorera mu mutima umwe. Mu mutima wawe nyene, Isaka na Ishimayeli barashobora kuba bariko barahaniganira. Uwo uzogaburira ni we azokura.

“Amakuru y'ubwami ntabwo ari umurage wa Ishimayeli. Ni ay'abana bo ku mugore bwite, Sara.”

Umusi umwe, Imana izonyiganyiza vyose. Amazu azonyiganyizwa. Amahera azonyiganyizwa. Amazina makuru n'amashengero yubatswe n'umubiri bizonyiganyizwa. Ariko ivyavukishijwe n'isezerano bizoguma.

> *Kuko twakira ubwami budashobora kunyiganyizwa, dukwiye gukenguruka, kugira ngo tubone ingene dukorera Imana tuyihimbaye, tuyubaha tuyitinya.*
>
> ABAHEBURAYO 12:28

Twatanguye uru rugendo munsi y'inyenyeri. Tururangirije ku musaraba. Twabonye abana babiri bavukira mu nzu imwe. Umwe ni indogoba y'ishamba, uwundi ni intama. Umwe arwanira ubuzima bwiwe, uwundi atanga ubuzima bwiwe. Ntushobora kuba bose. Uyu musi, Imana iraguhamagara guhitamwo.

ICIRORE CO KWISUZUMA

Soma ibi buhoro imbere y'Imana, wishure mu kuvugisha ukuri.

- ☐ Iyo Imana itinze, ndarindira aho gukoresha inzira zanje.
- ☐ Ndakorera Imana naho nta nyungu y'amahera ndonka.
- ☐ Amasengesho yanje arondera ubugombe bw'Imana kuruta ivyo nshaka.
- ☐ Ndanezerwa iyo mwene Data adugijwe imbere yanje.
- ☐ Iyo ijambo ry'Imana rinkosoye, ndihana aho kurakara.
- ☐ Iyo Imana insavye ikintu nkunda, ndakirekura.

Nimba hari aho wishuye "oya", ntucike intege. Imana ntikuraba kugira ngo igucire urubanza. Ikuraba kugira ngo igukize. Na

Aburamu yari afise Ishimayeli, ariko Imana yaramuhinduye Aburahamu.

ISENGESHO RYO KWIYEGURIRA IMANA

Data wa twese wo mw'ijuru, ndaje imbere yawe nk'uko ndi. Ndemeye ko kenshi nagerageje gushitsa amasezerano yawe nkoresheje inguvu zanje. Navukishije Ishimayeli mu buzima bwanje, mu murimo wanje no mu rugo rwanje.

Uyu musi, ndihana. Ndirukanye Hagari n'umwana wayo mu mutima wanje. Sinshaka umugisha wa Ishimayeli. Ndashaka isezerano ryawe. Mpa umutima wa Isaka: umutima w'intama itiruka igicaniro, umutima wumva ijwi ryawe, umutima ukunda bene Data.

Ndakwakiriye, Yesu, Mwagazi w'intama w'Imana. Ubwami bwawe buze, ivyo ugomba bibe mu buzima bwanje nk'uko biba mw'ijuru. Mw'izina rya Yesu Kristo, Amen.

◆

Abanditsi bisunzwe

Ivyiyumviro vy'aba banditsi bisubiwemwo mu majambo y'Ikirundi, mu ncamake. Usoma indimi z'amahanga arashobora kuronka ivyo bitabo mu ndimi zavyo.

Agustino w'i Hipone (354–430)
Ukwatura (Confessiones), igitabo ca mbere
Umutima ntugira amahoro gushika uruhukiye mu Mana.

Martin Luther (1483–1546)
Insiguro y'Icete ry'Ab'i Galatiya (1535)
Hagari na Sara nk'ishusho y'amategeko n'ubuntu.

Søren Kierkegaard (1813–1855)
Ubwoba n'Ugutengurwa (Fear and Trembling, 1843)
Aburahamu, se w'ukwizera.

Andrew Murray (1828–1917)
Kurindira igihe c'Imana (Waiting on God, 1896)
Kurindira igihe c'Imana nk'ukwemera ko twishimikiza Imana yonyene.

A. W. Tozer (1897–1963)
Kurondera Imana (The Pursuit of God, 1948), ikigabane ca kabiri
Aburahamu na Isaka ku musozi wa Moriya.

Dietrich Bonhoeffer (1906–1945)
Igiciro c'Ukuba Umwigishwa (The Cost of Discipleship, 1937)
Ubuntu buhendutse n'ubuntu buhenze.

Watchman Nee (1903–1972)
Changed into His Likeness
Aburahamu, Isaka na Yakobo: ivyo umubiri uvyara n'ivyo Imana ivyara.

◆

Ivyerekeye umwanditsi

Pasteur NDAYISENGA Wenceslas ni umukozi w'Imana n'umwigisha muri kaminuza. Ari mu bashinze Kingdom Life Community.
Yanditse ibitabo bitandukanye. Muri vyo harimwo Uruhara rwa Isaka na Ishimayeli uno musi mw'Ishengero, rwanditswe kugira ngo rufashe urwaruka kumenya, kurinda, gutegura no gushikana iyerekwa ryarwo mu nzira y'Ubwami bw'Imana.

Aho ashobora kuronkerwa

- **Email:** wenceslas304@gmail.com
- **Telefone:** +257 79 93 89 21 / +257 79 98 82 36
- **Urubuga:** https://bujumbura.bi